Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Umwami w'uruzi Nili

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
M. Maillot; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Umutware Yozefu yapfuye! Igihugu ca Egiputa gisangira umubabaro

n'umuryango wiwe.

Imana yarakoresheje umuheburayo Yozefu mugukiza igihugu mugihe c'amapfa.

Yari intungane kandi yarakundwa cane. None, ntakiriho.

Haheze imyaka amajana 300, abo m'umuryango wa Yozefu n'abaheburayo bandi bahinduka ihanga rikomeye muri

Umwami Farawo mushasha agira ubwoba ko abaheburayo bashobora kumugarariza, nico catumye abagira abaja biwe.

Farawo akoresha abaheburayo ibikorwa biruhisha cane. Abategeka kwubaka ibisagara binini binini.

Ariko n'aho bakora ibikorwa biruhije cane, abaheburayo bagizwe inyagano babandanije kuba
beshi cane.

Umusi ur'izina, haza itegeko riteye ubwoba rivuye kwa Farawo: "Abana b'abahungu bose bazovuka kubaheburayo bategerezwa gutabwa m'uruzi Nili."

Umwicanyi Farawo yashaka kugabanya abaheburayo. Gushika aho ashaka no kwica abana.

Umuryango uribaza uti: “Dukore iki?” Baciye bafata ingingo yo kuja guta umwana wabo m’uruzi Nili. Ariko umwana babanje kumushira mukavumvu gafundikiye.

Karimwo uwo mwana, nyakavumvu kareremba mumarenga. Mbega uyu mwana yagira ashikirwe n'iki?

Hirya gato hari mushiki w'uno mwana araba ingene kakavumvu karimwo umwana gatemba buhorobuhoro mumarenga.

Hanyuma umukobwa wa Farawo
arikumwe n'abasavyikazi
biwe bamanuka baja
k'uruzi Nili kwoga.

Ntivyashoboka ko banyegeza kakavumvu. Mbe basha, bararengana batakabonye?

“Oh! Ehe akavumvu. Harya mumarenga. Mbe basha harimwo iki?” Umukobwa wa Farawo atuma umwe mubasavyikazi biwe ngo aje kukazana barabe ikirimwo.

Bamaze kugafundururra, wamwana aca atangura kurira Wa mukobwa wa Farawo aca avuga atangaye ati: “Ni umwana w’umuheburayo.”

“Mwana, ese ukuntu uri mwiza”.
Kumbure uyu mukobwa wa Farawo
yakaganirije nk’uko abakuze
babikora.

Ntankeka Imana yarahaye ubwenge budasanzwe mushiki w'uno mwana. Aca aza ariruka aho wamukobwa wa Farawo ari. Aramubaza ati:

“Noja kukuronderera mubavyeyi b’ababaheburayo umugore yokurererera uyo mwana?” Nawe aramwishura ati: “Genda.” Mwibaza ko uwo mukobwa aza kuzana nde?

“Mama! Ingo ningoga! Ihute!” Kumbure uyu mukobwa ntiyaronse akanya ko gusigurira nyina wiwe ibibaye. Bose, biruka baja hahandi wa
mukobwa wa Farawo ari.

Bashitse k'uruzi, basanga wamukobwa wa Farawo ateruye wamwana. "Umunyonkereze, nzoguhemba. Mumwite Mose." Mose mugiheburayo risigura ngo:

Maze Mose aba asubiye kubavyeyi biwe iwabo. Bamwigisha gukunda Imana n'ubwoko bw'ababaheburayo. Haheze igihe gito, aja kuba i bwami abana na wamukobwa wa Farawo.

Imana, yamukirije ubuzima,
yari yateguriye uyu mwana
Mose kazoza
gakomeye.

Umwami w'uruzi Nili

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Kuvayo 2

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16